**Bible lessons.** **Lesson 30** **WRESTLING WITH GOD/ GETTING A NEW NAME**
**Genesis 32:1-2; 22-32**
**Memory verse: "Therefore if anyone is in Christ, he is a new creation. The old things have passed away, behold all things have become new." 2 Cor. 5:17**

## KUNIGANA N'UMUMARAYIKA UGAHABWA IZINA RISHASHA

Icirwa ca 44

**Itang. 32:1-2; 22-32**

Ijambo ngenderwako:«***Nuko rero umuntu wese iyo ari muri Kristo, aba ari icaremwe gishasha, ivya kera biba bihise, vyose biba bibaye bishasha. »*** **2 Kor. 5 :17**

### I. Intangamarara.

Yakobo amaze kuva kwa Labani aho yabaye mu buryo bw'intambara, ibihari, guhemukiranira imyaka 20. Ahitamwo gusubira mu gihugu c'amavuko abitegetswe n'Imana. Yageze mu nzira agira ikibazo c'ingene aza kubonana na mwenewabo Esawu uwo yivye umugisha n'ubusamurarwa. Ahitamwo inyishu ibereye yo gusenga, **imirongo ya 22-24** niho haca hatangura macth itari isanzwe imenyerewe mu bantu, intambara y'amaboko kuyandi hagati y'umumarayika w'Imana na Yakobo.

### II. Yakobo asubiye i Shekemu.

Ahura n'abamarayika, aravuga ati « Aha niho ingabo z'Imana zicumbitse » ijambo baba bashika 1000 canke 1.000.000. Ivyiyumviro vyiwe vyari kure kuko yibaza ingene mwenewabo ahava amusubiriza mu nkoko ikibi yamugiriye imbere y'imyaka 20. Kubera rwa rukundo rw'Imana, niho yamuha iyerekwa abona abamarayika aho yari ageze n'abantu n'ibintu vyiwe. Vyabaye nka cagihe yabona ingazi abamarayika baduga abandi bamanuka. Bimutera intege. Yariyatumye intumwa kuri mwene wabo amubwira ko ariko aragaruka mu rugo ngo abikunze amureke abeho n'abiwe.

### III. Ugusenga kwa Yakobo

Imbere yiki kbazo, ari wewe wohanura Yakobo guca akora iki ? yahisemwo gusenga yinginga. Umurongo wi 9. Isengesho ryiwe ryatanguwe n'ukwibutsa Imana amasezerano yose no kuyishimira inkomezi zayo atibagiye kwemera ko ari umunyavyaha…aca arara aho nyene wenyene.. Ni muri iki gihe nyene Imana yaciye iza kumusanga aho ariko arasengera. Iramwishura.

Iki nico cerekana umuntu aba asanganwe imigenderanire myiza n'Imana. Mubibazo, Uhoraho anyaruka gutabara. Ikibabaje ni uko abenshi bibuka kwegera Imana iyo ikibazo kibaye, ariko ijambo rivuga ngo : « Nimurondere Imana bigishoboka ko ibonwa, ni mumwambaze akiri hafi.

**IV. Uwaniganye na Yakobo**

Uyu yari Kristo yihinduye umuntu kuko Ubwuzure bwa kere bwamibaza ko ari umumarayika w'Imana. Uru rugamba rwamaze ijoro ryose. Umwanditsi Arthur Pink yanditse ati : « Imana ntiyariko iranigana na Yakobo kuntumbere yuko yogira ico imukurako, kwari ukira imugabanye inkomezi z'umubiri nukuba yowishimira ; kugira ngo yumve ko atari agahambaye mw'isi, amenye : ububabare, kunanirwa. Hari aho Imana irekera umuntu mu bibazo itamwanse ; ari kugira yigishwe. Ico imusaba ni ukwihangana gushika bukeye. Yesu adufiseko ububasha bwose. Tuzohozwa amarira twarize.

**V. Yakobo yisabira umugisha.**

Umur. Wa 26. Urugamba ruri mu kurangira, Yesu ati : « Ndekura ngende kuko ijoro rikeye. »Yakoba ati : « Sinkurekura utampezagiye. » Aha ntiyasaba umugisha wasezeranwe, yisabira umugisha kugatwe kiwe. Umugisha kwari ukugira uyo banigana agire ijambo avuga ku buzima bwiwe gusa maze rize rimukurikirane. Abenshi bibaza ngo umugisha ni ubutunzi buboneka. Richesses. Yesu amaze kumucisha bugufi aramuhezagira, kugeza nubu abakijijwe twese twitwa aba Israyeri mu buryo bwa Mpwemu.

**VI. Gushira mu ngiro**

Yakobo yiboneye Imana, Yesu amubaza ngo witwa nde ? ati nitwa Yakobo. Nawe ati ntuciswe **Yakobo.** ryasobanura (ntonyotsi, mubeshi, musuma,..) ariko uzokwitwa **Israyeli** risigura : **umwana w'Imana « prince of God »**. kuva aho aba abaye icaremwe gisha imbere Y'Imana.

Twese aha dusangiye izina rimwe twitwa ABAKRISTO ariko iri ni iry'abantu bose bemera Yesu ko ariwe Kristo naho boba ari abanyageso mbi. Igikwiye ni uko umwe wese ahabwa izina rishasha, Imana ikaba imuzi mw'izina rihimbara ijuru bivanye n'imyifato yawe. **ivyah 2:17b «** Kandi uwunesha nzomuha ibuye ryera, kuri iryo buye handitsweko izina rishasha, nta muntu arizi, atari uwuzorihabwa. ». weho ntiwipfuza kuzohabwa iryo zina rishasha ?

Niba vyukuri umutima wawe ukwemeza ko izina ryawe ritarahinduka kuva winjira mu rusengero, urashobora guhaguruka ugasenga Imana ikakugira icaremwe gisha guhera ubu nyene.